TWOKINGIRA GUTE INGWARA YA EBOLA?

- Kwirinda kuramukanya dukorana mu ntoke
- Gukaraba n'amazi meza n'isabuni kenshi
- Kwirinda gukora ku murwayi wa Ebola no ku bindi vyose bimuvuyemwo utikingiye
- Kwirinda gukora ku kiziga c'umuntu yishwe na Ebola utikingiye
- Kwirinda gufungura inyama z'ibikoko mutazi icavyishe
- Guturira ivyambarwa n'ibindi bintu vyose vyakoreshejwe n'umurwayi wa Ebola wikingiye bikwiye



TWOFASHA GUTE UMUNTU ARWAYE EBOLA MU MURYANGO NO MU KIBANO

Igihe mwiketse ko umuntu yoba yafashwe (arwaye) indwara ya Ebola, bimenyeshe abajejwe amagara y'abantu n'abajejwe intwaro.

Ufise akakubakiye iture Ivuriro rikwegereye canke wakure kuri izi nomero zitariha

→ 109
→ 113
→ 117

UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KUGWANYA SIDA

Tumenye kandi tumenyeshe ingwara y'umugera wa Ebola

Ingenzi yose yinjiye mu gihugu itegerezwa gusuzumwa ubushuhe

unicef

INGWARA YA EBOLA NI IKI?

Ni ingwara iterwa n'umugera , ikarangwa n'ubushuhe bwinshi ; yandukira cane kandi yica ningoga.

IBIMENYETSO VY'INGWARA YA EBOLA

INGWARA YA EBOLA IRANGWA N'IBIMENYETSO BIKURIKIRA

Mu ntango:

- Ubushuhe bwinshi mu mwanya muto
- Kumeneka umutwe
- Uburuhe bwinshi hamwe no kubabara umubiri wose
- Gucika intege

Umuntu amaze kuremba:

- Kudahwa
- Gucibwamwo
- Kwama uruhere ku mubiri
- Kugira amaso atukurije
- Kuva amaraso mu ntoboro zose zigize umubiri (kur'urukoba, mu matwi , mu mazuru , mu kanywa nahandi) tutibagiye ko ashobora kuviriranira imbere

Menya Neza: Ibimenyetso vy'iyo ngwara ya Ebola bitangura kwibonekeza hagati y'imisi 2 na 21 umuntu yanduye iyo ngwara

Umuntu wese avuwe buno nyene agifatwa arashobora gukira

INGENE INGWARA YA EBOLA YANDUKIRA

- Ingwara ya Ebola yandukira iva mu gikoko kiyigwaye ija ku muntu canke naho umuntu arwaye Ebola
- Iva mu gikoko ija mu muntu :
  Mu gihe ariye imfungurwa canke ivyamwa vyasigajwe n'ibikoko vyo mwishamba biyigwaye
  Mu gufungura canke mu gukora ku nyama z'ibikoko vyo mw'ishamba biyigwaye



- Iva mu muntu ija mu yundi:
  Gukora ku murwaye canke uwishwe na Ebola utikingiye
  Gukora ku bintu vyose biva k'umuntu (ivyuya ,amaraso, amazirantoke, ibidahwe, umukoyo) utikingiye

- Gukora ku bintu vyose vyakoreshejwe n'umurwayi wa Ebola